Kirundi - Topic 1
Introduction to renting a property in NSW

Kirundi - Igice ca 1
Intangamarara ku bijanye no gukotesha amazu muri NSW

Kurondera inzu yo kukotesha bitwara umwanya. Hari vyinshi vyo kwiyumvirako no kwigako na cane cane iyo ari ubwambere ukotesha inzu.

Iyo ukotesheje inzu muri NSW uca uba umuntu akotesha.

Muri Australia abakondesha amazu bafise uburenganzi hamwe n'ivyo bategerezwa.

Kumenya uburenganzira bwawe hamwe n'ivyo utegerezwa imbere yo gukodesha inzu bigufasha mu gutorera inyishu y'ivyoshika hagati yawe na nyene inzu, amashirahamwe apangisha amazu, abo mupangishije hamwe canke ababanyi.

Ikintu ca mbere woraba uriko urarondera inzu yo kubamwo ni amahera angahe ushobora kuronka yo kuriha inzu.

Hari ubwoko bwinshi bw'amazu ushobora guhitamwo.

Ni vyiza ko uhitamwo inzu yoba nziza kuri wewe n'umurwango wawe.

Inzu ifise mu kigo, inzu ifatanye ari nyinshi canke ivyumba biri mu mazu ariko ari hafi y'uburyo bwo kwiyunguruza.

Wiyumvire uko ushobora kuja ku kazi, amasoko yo gusuma, amashure hamwe no ku mavuriro.

Ni vyiza ko wiyumvira ku hantu ushaka kuba. Ahantu hamwe hamwe amazu yo gukotesha arazimbutse.

Igiciro co gukotesha gihinduka bivanye n'ubwoko bw'inzu ushaka gukotesha hamwe n'aho ushaka kuba.

Utererezwa kuriha inzu buri indwi imwe canke buri indwi zibiri.

Kubwivyo, raba amahera winjiza hanyuma uyapange bivanye n'inzu ushoboye kuriha – inyuma yo kugura imfungurwa, hamwe n'ibindi vyo kurya hamwe n'ibindi nyamukuru mukenera.

Intara zitandukanye muri Australia bafise amategeko atandukanye ajanye no gukotesha amazu.

Ishirahamwe rijejwe gukora neza (Fair Trading) baratanga insiguro n'imfashanyo ku bakotesha amazu, bene amazu hamwe n'amashirahamwe akotesha amazu muri NSW. Ni ishira hamwe rya leta ritora amahera y'ingwati (bonde) rikongera rigakurikirana uko amashirahamwe akotesha amazu muri NSW akora.

Ukaba ukeneye izindi nsiguro ku burenganzira n'ivyo utegerezwa, reba ku murongo wa interenete wa Fair Trading kuri www.fairtrading.nsw.gov.au canke uhamagare kuri 13 32 20.

Ukaba ukeneye umusiguzi, hamagara kuri 13 14 50.

None uriteguye kwironderera inzu yo gukotesha?